COMMUNIQUE DU CONSEIL NATIONAL DE SECURITE DE CE 06 JUIN 2015

Ce vendredi 05 juin 2015, le Conseil National de Sécurité s'est réuni en session extraordinaire à Bujumbura sous la Présidence de Son Excellence Monsieur le Président de la République et Président dudit Conseil. L'ordre du jour était centré sur l'analyse de la situation sécuritaire dans le pays en général et plus particulièrement dans la Municipalité de Bujumbura.

Au cours de cette session, le Conseil a fait le constat suivant :

1. Le Conseil National de Sécurité a noté avec satisfaction que la paix et la sécurité restent globalement bonnes sur tout le territoire national malgré quelques incidents enregistrés dans les coins où s'observent encore les manifestations illégales. Le Conseil remercie la population burundaise d'avoir gardé le calme et la sérénité pendant cette période électorale ; ceci est une preuve qu'elle a compris que les élections constituent la seule voie de sauvegarder la paix, la démocratie et le développement durable. La population a compris cet adage en Kirundi qui dit que « Uwutema urwiwe bamutiza umuhoro » (l'on prête facilement la serpette à celui qui veut détruire sa maison).

2. Le Conseil National de Sécurité évalue à juste titre le travail accompli par les Corps de Défense et de Sécurité durant ces derniers jours et les félicite tout en les invitant à rester vigilants pendant cette période électorale

3. Le Conseil National de Sécurité se réjouit que les activités électorales vont bon train ; la campagne électorale s'est déroulée sans incidents majeurs et l'opération de distribution des cartes d'électeurs se déroule normalement tant à l'intérieur du pays qu'en Mairie de Bujumbura. Le Conseil remercie les partis politiques et indépendants qui se sont inscrits favorablement dans ce processus électoral en cours.

4. Le Conseil National de Sécurité a accueilli favorablement les propositions et recommandations issues des réunions de la Communauté Est Africaine et d'autres communautés régionales

pour leur soutien remarquable au processus démocratique en cours dans notre pays. La proposition de reporter les élections a été bien comprise par le Gouvernement et invite la CENI à élaborer un nouveau calendrier dans les meilleurs délais et cela dans le respect des lois et règlements en vigueur.

5. Le Conseil National de Sécurité apprécie la reprise du travail par la majorité des travailleurs en Mairie de Bujumbura et les invite à être ponctuels et à respecter le nombre d'heures de travail réglementaire.

6. S'agissant de l'Université du Burundi, Conseil National de Sécurité déplore que les étudiants n'ont pas encore répondu positivement à l'appel lancé par les autorités de cette institution et appelle les étudiants à respecter la date butoir de la reprise des cours fixée ce lundi 08 juin 2015 au risque de courir des sanctions académiques.

   Au niveau de l'Enseignent Primaire et Secondaire, le Conseil appelle de nouveau les parents, les éducateurs et les administratifs à la base d'assumer leur responsabilité pour que les écoles fermées rouvrent sans délais afin de terminer le programme de l'année.

7. Le Conseil National de Sécurité se réjouit et encourage le mouvement de retour des populations qui avaient quitté leurs ménages ; et remercie les citoyens restés sur les collines qui ont montré l'esprit de solidarité envers leurs compatriotes en prenant soin de leurs biens. Le Conseil profite de cette occasion pour remercier également les pays qui ont bien voulu héberger nos compatriotes.

Au vue de tout ce qui précède, le Conseil recommande :

a) Aux partis politiques et société civile, de reprendre le dialogue politique tout en s'inscrivant dans les limites du calendrier qui sera prochainement établi par la CENI. La tenue et la réussite des élections prochaines constituent

une démonstration de la maturité politique du peuple burundais.

b) Aux administratifs à la base, de rester aux côtés de leurs populations afin d'assurer le suivi des comités mixtes de sécurité pour renforcer la sécurité dans leurs entités et surtout appuyer les parents à encadrer leurs enfants.

c) Au Gouvernement, de continuer à chercher un budget pour couvrir les élections. le Conseil National de Sécurité salue la décision du Gouvernement de requérir la contribution des citoyens burundais pour appuyer le financement du processus électoral et exhorte la population à y répondre massivement.

d) Aux Corps de Défense et de Sécurité, le Conseil leur recommande de renforcer les patrouilles de jour comme de nuit et empêcher les rondes nocturnes des populations civiles qui profitent de l'obscurité pour obstruer ou couper les routes.

e) A la communauté internationale, le Conseil National de Sécurité leur demande de continuer à soutenir le Burundi en privilégiant le dialogue politique pour la réussite du processus électoral tout en respectant les limites constitutionnelles.

QUE VIVENT LA PAIX ET LA DEMOCRATIE DANS NOTRE PAYS,

JE VOUS REMERCIE

ITANGAZO RY'INAMA NKURU IJEJWE UMUTEKANO

Kuri uyu munsi wa gatanu igenekerezo rya 05 Ruheshi 2015, Inama Nkuru ijejwe Umutekano yarakoranye mu nama yayo idasanzwe irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu akongera akaba Umukuru w'iyo Nama kugira yihweze uko ikibazo c'umutekano cifashe muri rusangi mu gihugu cose na canecane mu gisagara ca Bujumbura.

Inama Nkuru ijejwe Umutekano imaze guca hirya no hino ico kibazo, ishikirije ibi bikurikira :

1. Inama Nkuru ijejwe Umutekano irashima ko amahoro n'umutekano birangwa mu gihugu cose naho hari uduce tumwetumwe tukirangwano umutekano muke biturutse ku migumuko ihabera. Iboneyeho akaryo ko gushimira cane abenegihugu bose bakoze batiziganya muguteramira no kubumbatira amahoro n'umutekano muri iki gihe twitegurira amatora. Ico kikaba ari ikimenyetso kigaragara ko abenegihugu bamaze gutahura ko inzira y'amatora ariyo yonyene irashe kugira kugira hatsimbatare amahoro, umutekano n'iterambere birama mu gihugu cacu.
   Inama Nkuru ijejwe Umutekano iranebagura inyifato ya bamwebamwe mu banyepolitike bashira imbere imigumuko mu nzira yo kuburizamwo amatora bakibagirako abarundi bayamaze bati : « Uwutema urwiwe bamutiza umuhoro »

2. Vyongeye Inama Nkuru ijejwe Umutekano irasubiye gushima no gushigikira inzego z'Umutekano kuruhara ntangere zerekana mu guhagararira no kugarukana umutekano canecane muri iki gihe turiko turitegurira amatora. Iboneyeho akaryo ko gusaba izo nzego kuguma zirikanuye mu nzira yo kuburizamwo igikorwa cose coza gihungabanya umutekano.

3. Inama Nkuru ijejwe Umutekano irashima ko ibikorwa bijanye no kwitegura amatora biriko bigenda neza mu gihugu cose : haba ibikorwa vy'imigambwe bijanye n'imyiyamamazo canke ibikorwa vyo gutanga amakarata y'amatora.

4. Inama Nkuru ijejwe Umutekano yarakiriye kandi irashima impanuro n'ingingo abakuru b'ibibihugu vyo muri kano karere bashikirije kuvyerekeye ikibazo kijanye n'amatora mu Burundi. Iboneyeho akaryo ko gusaba Umurwi wigenga ujejwe amatora (CENI) ko woshikiriza vuba abarundi ikirangamisi gishasha c'amatora kandi cubahiriza Ibwirizwa Shingiro n'amategeko agenga amatora.

5. Inama Nkuru ijejwe Umutekano irashima ingene abakozi bo mu gisagara ca Bujumbura batanguye kwitabira imirimo yabo nkuko vyahora. Ibasavye rero kudacererwa kukazi no kwubahiriza amategeko agenga amasaha y'akazi.

6. Kubijanye na Kaminuza y'Uburundi, Inama Nkuru ijejwe Umutekano iranegura ko abanyeshure batitavye akamo bari batewe ko gusubira mu buraro no mu vyigwa. Yizeye ko bagiye kwitaba akamo kagira kabiri mukwitabira ivyigwa bitegekanijwe gutangura kuri uyu wa mbere igenekerezo rya 08 Ruheshi 2015 kugira ibihano bijanye n'amategeko ntibirinde gufatwa.

   Ku vyerekeye amashure matomato n'ayisumbuye acugaye, Inama Nkuru ijejwe Umutekano irateye akamo abavyeyi, abarezi hamwe n'abajejwe intwaro gufashanya kugira ayo mashure yugurure maze abarezi bashobore guheraheza programme y'uyu mwaka.

7. Inama Nkuru ijejwe Umutekano iranezerejwe nuko abanegegihugu benshi bari bahungiye mu bihugu duhana imbibe batanguye kugaruka mu ngo zabo. Iboneyeho akaryo ko

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CONSEIL NATIONAL DE SECURITE
Secrétariat permanent

gushimira benewabo basigaye ku mitumba ku mutima w'ubuntu berekanye mukubungabunga neza ivyo bari basize.
Inama Nkuru ijejwe Umutekano irakengurukiye kandi ibihugu duhana imbibe vyakoze uko bishoboye muguha indaro abo benewacu.

Kubera ivyo vyose, Inama Nkuru ijejwe Umutekano isavye ibi bikurikira :

a) Ku migambwe itavuga rumwe na Reta hamwe n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya politike, basabwe gusubira mubiganiro vya politike vyatangujwe n'uwuserukira umunyamabanga mukuru wa ONU, kandi bakabikora bisunze ikirangamisi gishasha kizoshikirizwa n'Umurwi w'Igihugu ujejwe gutegura amatora.
Itunganywa ryiza ry'amatora rizoba ari ikimenyetso ciza cuko abarundi ari abagabo b'ijunja n'ijambo kandi batahura ko akimuhana kaza imvura ihise.

b) Ku bashinzwe intwaro mu makomine basabwe kuguma hafi yabo bashinzwe gutunganiriza mugukomeza amakomite y'umutekano ahuriwemwo na bose kugira bateramire amahoro n'umutekano kandi bongere bafashe abavyeyi gukurikirana urwaruka rwihaye kuja mumigumuko aho kuja kumashure ho hari kazoza kabo keza.

c) Mu nzira yo gutunganya amatora neza, Reta isabwe kubandanya irondera uburyo bw'amafranga n'ibikoresho bikwiye. Inama Nkuru ijejwe Umutekano iboneyeho gushima ingingo yafashwe na Reta yo guhamagarira abenegihugu ngo bagire akigoro ko guterera igikorwa c'amatora kandi isavye ko ako kamo ko kwitabwa na bose.

d) Ku nzego zijejwe umutekano, zisabwe kubandanya zikizura haba kumutaga canke mw'ijoro kugira zibuze amarondo agirwa n'abanyagihugu baca bikinga agahumbezi kugira bace canke bazibire amabarabara.

e) Ku bihugu bibanyi hamwe n'amakungu, Inama Nkuru ijejwe Umutekano ibasavye kwama hafi y'Uburundi n'abarundi mugushigikira ibiganiro hagati y'abanyepolitike hamwe n'amatora kugira abarundi bitorere inzego biyumvamwo kandi zizobageza ku mahoro n'iterambere birama.

NIHAHANGAME AMAHORO NA DEMOKARASI MU GIHUGU CACU

MURAKOZE